# 191: Nunguk' ubuntu bwa Yesu

1. Nunguk' ubuntu bwa Yesu, Menye n'imbabaz' afite, Nunguk' ubwenge bw'ukuri, Meny' urukundo yankunze! Nunguk' ibya Yesu !

Ref: Nunguk' ibya Yesu Nunguk' ubwenge bw'ukuri, ' Meny' urukundo yankunze.

2. Nshishikarir' ibya Yesu, Meny' iby' anshakaho byose. Mwuka Wer' umfuturire :
Mbwir' uko Yesu yankunze.

3. Nunguk' ijambo rya Yesu, Mbane n'Umwam' antoneshe; Numvire byos' antegeka, Mpuze na We, muyoboke.

4. Meny’ iby'ubwami bwa Yesu, Menye n'ubwiza bwe bwose, Meny' ukw azim'
ingoma ye, Ari We Mwami w'abami.

Visit us at burundi.indirimbo.com